Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 71
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

*Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06*

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°822 01 Nyakanga 2024

# Iteka ry'abahimbazwa muri Diyoseze ya Uvira




Ku wa 18 Myandagaro 2024, muri Ekleziya Gatolika y'igihugu kibanyi ca Reta Iharanira Demokrasi ya Kongo i Uvira, muri Diyoseze ya Uvira, harabereye inkuka ya misa yo gushira mu gihari c'abahimbazwa abamaratiri bane, batanze ubuzima bwabo kubera Inkuru nziza ya Yezu Kristu.

Muri abo bamaratiri bane, batatu ni abamisiyonari twita «Abasaveriyano » : Patiri Luigi Carrara (1933-1964) ; Patiri Giovanni Didoné (1930-1964) n'umufurera Vittorio Faccin (1934-1964).

Soma ku Rup. 4

*Abakozi ba Ndongozi*

Uwujejwe uruganda:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

Abamenyeshamakuru:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Uwujejwe ubuhinga:
* *Chanel HARINGANJI*

Umunyamabanga:
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Umunyabigega:
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

Uwujejwe imigenderanire:
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

# Umuryango w'Abapatiri b'aba Jesuites waraye wungutse uwundi musaserdoti



Kw'igenekerezo rya 18 Myandagaro 2024, mu Muryango w'abagendanyi ba Yezu (la Compagnie de Jésus ou les Jésuites mu gifaransa), mu ntara yabo y'ubutumwa y'Uburundi n'Urwanda, biririwanye akanyamuneza ku bw'umugendanyi wa Yezu mugenzi wabo Emmanuel Ndorimana yatewe iteka n'Imana ry'ukumusangiza

Soma ku Rup. 3

## Ibirimwo

o Umusuku mushasha mu muryango Katolika w'abanaguwe muri Mutima Mweranda ........................................6
o Chapelle Carama -Gahahe -Gatunguru, iri mu rwubako rw'Ingoro y'Imana. ........................................7
o Ihwaniro ry'urwaruka rigira 15 muri Ekleziya y'i Burundi........................9
o Ugukingira abana bapfunganywe n'abavyeyi babo..............................10

# Idominika ya mirongo 22: *Umwaka B*

## Igisomwa ca mbere: *Amategeko: 4, 1-2 ; 6-8*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Amategeko

(*Nimuzigame amabwirizwa y'Umukama*)

Muri irya minsi, Musa yabariye ishengero ry'abanyisraeli ati : « None rero, yemwe Banyisraeli, nimwumvirize amabwirizwa n'amateka ngira mbashikirize, muheze muyazigame ; niho muzobaho, mukinjira mu gihugu Umukama Imana ya basokuruza yabahaye, kikabegukira. Ntihagire ico mwongera canke musobanura mu vyo mbategetse. Nuko rero, muze muyazigame, muyarangure, azobaronkera ubwitonzi n'ubwenge imbere y'ayandi makungu.

Umunsi bumvise ayo mabwirizwa yose, bazotangara bati : 'N'ukuri nta kindi gihugu gitunze abitonzi n'incabwenge nk'iki !' Mbega hari igihugu gifise Imana iri hafi yaco nkuko Umukama Imana yacu aba hafi yacu, iyo tumwambaje ? Canke, hari igihugu gifise amabwirizwa n'amateka atunganye nk'aya mbashikirije uyu munsi ? »

## Igisomwa ca kabiri*: Yakobo: 1, 17-18.21-22.27*

Ivyo dusoma mw'ikete ry'Umutumwa Yakobo

(*Ijambo ry'Imana ni imbuto y'ubuzima bw'umukristu*)

Ncuti zanje :
Ingabirano nziza yose n'inema itunganye yose iva mw'ijuru, ikururuka iva kwa Data Muremyi w'icitwa umuco cose: muri we, nta guhinduka kuriho canke nta gitutu kiriho gitewe n'uguhindagurika. Yashatse kutwibarukisha Ijambo ry'ukuri, kugira ngo tube aba mbere mu biremwa vyiwe.

Nuko rero, akirane ubwitonzi rya jambo ryatewe muri mwebwe rishobora gukiza imitima yanyu. Nimube abarirangura, ntimube abaryumva gusa mwibesha. Ubuyobokeramana nyakuri butagira inenge imbere y'imana ariyo Data, si ubundi: ni ukugendera impfuvyi n'abapfakazi mu marushwa yabo, ni ukwirinda ata gatosi kuri iyi si.

## Inkuru nziza *: Mariko : 7,1–8.14-15.21-23*

**Alleluya! Alleluya!**

*- Kuko yabishatse, Data yaratwibarukishije Ijambo ry'ukuri, kugira tube abambere mu biremwa vyiwe.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru nziza ya Yezu Kristu nkuko yanditswe na Mariko

(*Kwubaha ibwirizwa ry'Imana*)

Umunsi umwe, abafarizayo n'abigisha bakeyi bavuye i Yeruzalemu bakoranira iruhande ya Yezu. Hanyuma babona bamwe mu bigisha biwe barishije intoke zityoye, n'ukuvuga batakaravye.

Abafarizayo rero n'abayahudi bose ntibarya batakaravye n'ubwira bwinshi, ni iragi rya basekuru batarenga; kandi bavuye mu kaguriro ntibarya batimijagiye amazi; hari n'ibindi bimaramuziro bitari bike bagira vy'iragi ry'abasekuru: nk'ukunyuguza ibikombe, ukwoza udukarabo n'inkoko.

Abo bafarizayo n'abigisha rero niko kubaza Yezu bati: "Mbega ni kuki abigishwa bawe badakurikiza iragi ry'abakera, bapfa kurya n'intoke zityoye?" Yezu arababarira ati: "Umuhanuzi Izaya yarabadomyeko urutoke, mwa bangushi mwe, hamwe yandika ngo: 'Abo bantu bansasako akarimi keza, ariko umutima wabo ntunyegereye. Bagira ngo bariko baransenga, ariko ni ivy'ubusa; inyigisho bigisha ni izadukanywe n'abantu.' Ibwirizwa ry'Imana muterera aho, mukizigitirira kw'iragi ry'abantu."

Araheza ahamagara ishengero ati: "Banga amatwi mwese muntegere. Nta kintu c'imusozi cinjira mu muntu ngo kimutyoze; ikiva mu muntu, ico ni co kimutyoza. Nkako, imbere mu mutima w'umuntu, niho hava ivyiyumviro bibi, ubusambanyi, ubusuma, ukwicana, uguhemukira abagenzi, umunoho, inda mbi, uburyarya, ubushegabo, ishari, ukwararaza, ubwishime, uburogorogo. Ayo mabi yose ava imbere mu mutima niyo ahumanya umuntu."

# Umuryango w'Abapatiri b'aba Jesuites waraye wungutse uwundi musaserdoti

(Bitangurira ku rup.1)

ubusaserdoti busuku n'Umwana wayo Yezu Kristu.

Patiri Emmanuel Ndorimana akaba yaratiwe na Nyenicubahiro Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa, Umwepiskopi Mukuru wa Diyoseze Nkuru ya Bujumbura, isinzi ry'aba Jésuites rikoranye.

Hari mu nkuka y'imisa yaherejwe mu gasengero kitiriwe Umushaha Mweranda wa Yezu kari kw'ishure ryisumbuye ryitiriwe Mutima-Mweranda ry'i Bujumbura (Lycée du Saint Esprit). Mu nyigisho yashikirije kuriuyo munsi, Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa yabanje kwibutsa Emmanuel Ndorimana

Ibik. urup.7

# Tuzirikane Ijambo ry'Imana

Nkako, imbere mu mutima w'umuntu, niho hava ivyiyumviro bibi .

Bavukanyi dusangiye ukwemera, uyu munsi turiko turahimbaza idominika ya 22 yo mu mwaka w'amasabamana B. Ijambo ry'Imana ry'uyu munsi ridutumirira guhinduka n'ukurangura ibikorwa biva ku mutima mwiza.

Mu gitabu c'Amategeko twumvise agace uyu munsi, batwibutsa ivyerekeye amabwirizwa y'Imana. Musa yabariye igihugu c'Israyeli ati : « Ubu rero Israyeli, niwumvirize amategeko n'amateka nkwigishije kugira ngo muyashire mu ngiro. Gutyo muzobaho, muheze mwiganzire igihugu Umukama imana ya basokuru aguhaye. Nta na kimwe uzokwongerako ku vyo ndagutegetse.

Nuko rero, muze muyazigame, muyarangure, azobaronkera ubwitonzi n'ubwenge imbere y'ayandi makungu. »

Imana imaze gukura abanyisrayeli mu buja barimwo mu Misiri, yarabatwaye mu gahinga, isezerana na bo, yiyemeza kuba Imana yabo, nabo ibasaba kuyibera abana. Muri iyo ntumbero, Imana yarabashikirije amabwirizwa cumi azobafasha kuzigama amasezerano, ibategereza kuyasonera cane cane mu kutagira ico bayongerako canke ico bosobanura bagakura kuri aya mabwirizwa.

Amabwirizwa nayo ni Ijambo ry'isezerano Imana yahaye abantu ngo bamenye na ntaryo ico ishaka kugira ngo nibakirangura, bashobore kubaho mu buhirwe, bagumane nayo, bamane na Yo. Vyongeyeye, basabwa kuba ari yo bakurikiza nkuko Imana bemera ari nsa ikaba Rudasumbwa.

Amabwirizwa Imana yahaye abanyisrayeli arahambaye cane, twihweje inkurikizi zayo n'imihango ifatiye kukuzigama ibanga.

Ubwa mbere, Abanyisrayeli bazogabana igihu-gu Imana ibemereye nibitwararika kugendera ayo mabwirizwa.

Ubwa kabiri, Israyeli ikura ubuzima mu kwiganzira igihugu Umukama yayemereye, gutyo Israyeli ibona ko Imana iri kumwe na bo, kandi ko yegereye ikaguma hafi y'igihugu cayo igihe cose bazoyambaza.

Vyongeyeye, ayo mabwirizwa azobaronsa ubwitonzi budasanzwe ku buryo bazoba igihugu gitangaririrwa n'ibindi bihugu, bakazovuga bati : N'ukuri nta kindi gihugu gitunze abitonzi n'incabwenge nk'iki !'

Abanyisrayeli barafashe nkama ayo masezerano bagiriraniye n'Imana mu nzaruka zagiye zirakurikirana. Nkako Imana dusenga ni Imana y'isezerano. Niyo imenyesha umuntu ishaka ryayo, ikagirako ikubahiriza umwidegemvyo wa muntu.

Ukurangura amabwirizwa y'Imana ni ukugaragaza ko umuntu yemera umugambi w'Imana wo gushikiriza urukiza abantu bose.

Ariko rero, uko igihe cagiye kirahaca, niko aabanyisrayeli bagiye baratitura ayo masezerano, gushika aho abitwa intungane bari abayakurikiza bashimwa n'abantu bababona, yamara imbere mu mutima barangwa n'ububisha, ubwiyorobetsi. Mbere baca batangura gusenga izindi mana, barazihererereza barazipfukamira.

Uko kwiyorobeka nikwo kwatumye Yezu Kristu ahambarira cane abafarizayo, kuko ari bo bari kw'isonga ry'abo bantu barondera guhatira abandi kw'iragi ry'abasekuru, yamara urukundo n'ubutungane batavyerekwa.

Vyahaye rero Umukama Yezu akaryo ko kwibutsa abanyisrayeli amajambo akaze Umuhanuzi Izaya yari yarashikirije kera ati: « Abo bantu bansasako akarimi keza ariko umutima wabo utanyegereye. Bigira ngo bariko baransenga ariko ni ivy'ubusa ;inyigisho bigisha ni izadukanywe n'abantu » (Izaya 7,6-7)

Umukama yasozereye yerekana ko ibityoza umuntu bitava inyuma, ahubwo ko amabi ava mu mutima ariyo ahumanya umuntu. Imana kandi, nkuko umutumwa Yakobo abivuga, ingabirano nziza yose n'inema itunganye yose iva mw'ijuru, ikururuka iva kwa Data Muremyi w'icitwa umuco cose. Iyo Mana niyo yashatse ko twoba ab mbere mu biremwa.

Niwe atubwira, uyu munsi ati : « Imbere mu mutima niho hava amabi ahumanya umuntu. Nta kintu c'imusozi cinjira mu muntu ngo kimutyoze; ikiva mu muntu, ico ni co kimutyoza."

Umutima w'umuntu niwo vyose bihagazeko, niho umuntu afatira ingingo zikomeye mu migenderanire yiwe n'Imana n'abantu. Yezu yishuye kandi yagiriza abafarizayo kubera ugukomantaza umutima kwabo.

Akadutumirira kwamana wa mutima w'urukundo udutuma tuba mu kuri mu buzima bwacu, tukirinda kuba abafarizayo. Yezu ati : 'Abo bantu bansasako akarimi keza, ariko umutima wabo ntunyegereye. Bagira ngo bariko baransenga, ariko ni ivy'ubusa; inyigisho bigisha ni izadukanywe n'abantu.'Ibwirizwa ry'Imana muterera aho, mukizigitirira kw'iragi ry'abantu."

Umukama aradutumirira kwiyambura agatima kukwiyerekana ubw'inyuma gusa, bitavuye ku mutima mwiza. Inyifa-to zacu, ingiro n'imero vyacu birerekana ko turi mu kuri canke turiko turabesha, bikagaragaza n'imigenderanire iri hagati yacu n'abandi.

Nitwame dusaba Umukama aduhe kwakira, gutegera n'ukurangura ishaka ryiwe. Ese ijmabo ry'Imana twama twumva ryoduhindura! Ntitube abaryumviriza gusa, nyabuna rigashika mu mutima wacu, rikadutyorora, rikaduhindura. Niho tuzokwuzura urukundo rw'Imana.

***Amen***

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Iteka ry'abahimbazwa muri Diyoseze ya Uvira

Hamwe na Patiri Albert Joubert (1908-1964) avuka muri ico gihugu. Abantu benshi bari baje gushigikira Ekleziya ya Congo., uri abavuye mu ma Diyoseze yo muri Kongo nyene, i Burundi, mu Rwanda, mu Butariyano mu Bufaransa n'ahandi.

Mu nsiguro y'ijambo ry'Imana, Karadinale Fridolin Ambongo yari yaserukiye Nyenubweranda Papa Fransiskomuri ico gikorwa, yarasavye abakristu bose muri rusangi n'abakongomani ku buryo bw'umwihariko, gufatira akarorero ko kwitanga kwabo bamaratiri ngo bashobore guharanira amahoro no gusubiza hamwe. Yaradomye urutoke ku mutekano muke urangwa mu Buseruko bw'igihugu ca Congo.

Muri iyo nyigisho yiwe kandi itahagaze gusa kuri abo bamaratiri, yaratumiriye amakungu n'indongozi z'ico gihugu, ko bokora uko bashoboye bagahagarika indwano.

Ati : « Duhagarike gucanamwo, guhohoteranira, tuje hamwe mu gukora ibikorwa vy'iterambere. Hagarika imigumuko, uguhohotera abandi, ubwicanyi muri Diyoseze ya Uvira, mu buseruko bwa Congo, ndetse n'igihugu cose. Turarambiwe n'ubwicanyi, turarambiwe n'amaraso aguma aseseka.

Ugushingira intahe abo bamaratiri, ukubibuka bimwe bishemeye ni



A.Albert Joubert P. Luigi Carrara,SX P. Giovanni Didonè,SX Fr.Vittorio Faccin, SX

ukuzokwama muri kano karere ivyamwa vy'amahoro , umutekano no gusubiza hamwe. »

Kubwa Karadinale Fridolin Ambongo, «Ubwicanyi buva ku bantu bagiye kubiri n'ubwenge n'ubwitonzi buva ku Mana. Ni igikorwa c'ibiburabwenge batubaha Umukama, ntibasonere agateka ka kiremwa muntu yaremwe mu gashusho k'Imana. Mwame mwibuka ko Imana idusaba kuva mu nabi tugakurikira ubwenge n'ubwitonzi nyabwo. Ntivyumvikana ingene inyuma y'imyaka 60 aba bamaratiri bishwe, amahoro atarigera agaruka mu karere».

Abandanya yerekana ko kazoza ka Diyoseze ya Uvira n'igihugu, gahagaze ku mwitwarariko w'indongozi n'abahaba bose. Yabibukije ko bahamagariwe kurondera no gutsimbataza amahoro n'umutehano. Ati: «Nta ngorane n'imwe idashobora gutorerwa inyishu ku bantu bafise intumbero nziza».

Mu gusozera iyo nyigisho yaremesheje abakongomani bose ko uko gushira mu murwi w'abahimbazwa abo bamaratiri ari igihe c'inema muri Ekleziya yose no muri Congo nyene. Ubuzima bwabo n'amaraso basheshe ku rukundo bafitiye Imana ni umuhamagaro wo guharanira amahoro no gusubizahamwe.

**Batanze ubuzima bwabo gute?**

Hari ku wa 28 Munyonyo 1964, aho aba bamaratiri batanga ubuzima i Baraka na Fizi. Inyuma y'intahe yo kwikukira yabaye muri ico gihugu, harabaye uguhungabana k'umutekano, aho havuka imirwi y'abarwanyi yarwanya intwaro ya Léopoldville n'abanyaburaya harimwo n'abamisiyonari.

Abamisiyonari benshi ba Ekleziya Katolika n'abaporotisanti benshi barasubira iwabo, ariko abo mu muryango w'Abasaveriyano bashima kuguma bamenyesha inkuru nziza ya Yezu Kristu.

Abedi Masanga, umwe mu bakuru b'iyo mirwi yarwana, arayobora abarwanyi biwe agana isengero y'i Baraka ahicira furera Vittorio Faccin. Patiri Luigi Carrara yumvise urwamo ava mu nzu abona ikiziga ca mugenzi we aca agipfukama iruhande avuga ati : « Nemeye gupfira i ruhande y'umuvukanyi wanje». Aca aricwa na Abedi Masanga.

Uwo yarayoboye abo bicanyi yaciye abandanya i Fizi, ahicira patiri Giovanni na patiri Albert Joubet. Bose bazira ukumenyesha inkuru nziza ya Yezu Kristu. Ubwo bwicanyi bwababaye mu ntumbero yo kurwanya Ekleziya.

Amasengero menshi yarasambuwe baranabomora amataberenakuko, ibimenyetso nk'amasanamu araturirwa, barakora n'ubundi bubisha.

Tubamenyeshe ko Ekleziya ya Kongo hambavu yabo batewe iteka uyo munsi, yari isanganwe abandi bahimbazwa : Isidore Bakanja yishwe ku wa 12 Myandagaro 1909, ashirwa mu bahimbazwa n'umweranda Yohani Paul wa II i Roma mu mwaka wi 1995 ; umuhimbazwa Anwarita Clémentine Nengapeta yishwe ku 1 Kigarama 1964 agashirwa mu bahimbazwa n'umweranda Yohani Paul II i Kinshasa mu mwaka 1985.

*MSV M. Goreth Ndikumana*

# Umuryango w'Abapatiri b'aba Jesuites waraye wungutse uwundi musaserdoti

(Bitangurira ku rup.2

kwama azirikana ubutumwa buhambaye agira ashikirizwe bwo gufasha igihugu c'Imana kubeshwaho n'Umukate w'Ubuzima budahera. Yagize ati: «Ubusaserdoti bwawe buragutumbereza ngaho: kuba umusaserdoti abeshwaho n'Ukaristiya, kandi afasha n'abandi kubeshwaho n'Ukaristiya.»

Yaribukije ko Ukaristiya ari yo irema ubumwe nyabwo. Umusaserdoti na we akaba ashinzwe kuja kwigisha, kugira ngo abantu babe mu bumwe. Ati : «Ukaristiya ni yo irema ubumwe nyabwo, umuvukano nyawo, n'urukundo rw'ukuri mu bantu; Ukaristiya ni yo kandi itanga ubuzima buhoraho; urama rero uriko urahanura iyi si, ngo yoye kwigenza nk'ikiburabwenge, gihitamwo amayira y'agaheza, ha guhitamwo amayira y'ubuzima buri muri Ukaristiya», ni kwo yashimangiye avuga, mu mpanuro yamuhaye.

Akaba yagiriyeko amusaba kwamana na ntaryo na Ignace w'i Loyola Mweranda, Umuvunyi w'umuryango wabo, mu kumusaba kugira ngo azokwame amwama hafi, maze ubwo busaserdoti yagira agabane buzobere umuhezagiro abo bazobana bose, n'abo azorangurirako ubutumwa bose.

Inyigisho iheze, uwuserukira umuryango w'abagendanyi ba Yezu mu ntara y'ubutumwa y'Uburundi n'Urwanda, Patiri Fabien Kasigwa, yarasavye Umwepiskopi mukuru kwatira mw'ibanga ry'ubusaserdoti Diyakoni Emmanuel Ndorimana.

Mw'ijambo ryiwe, Patiri Fabien Kasigwa na we, kw'izina ry'umuryango w'aba-Jésuites, yasavye Patiri Emmanuel Ndorimana kwama na ntaryo yiragiza Umuvyeyi Bikira-Mariya. Mbere yaciye agirako amwaturirako igisabisho co kumuragiza uwo Muvyeyi w'abatumwa n'uw'Ekleziya.

Patiri Fabien Kasigwa yaribukije ukuntu umuco w'ikirundi n'ikinyarwanda ukundisha abantu abavyeyi babo, ko ata kiruta umuvyeyi. Ati: «No mu kwemera ni ko bimeze: turakunda kandi tukiyambaza Bikira Mariya Umuvyeyi w'Imana n'Umuvyeyi wacu; nta co tumunganya naco kuko ni Umuvyeyi w'Ekleziya, Umuvyeyi inema z'imana zikomokako, Umuvyeyi ugira abantu inama nziza, Umuvyeyi ukwiye gukundwa».

Akaba yamusavye kumukunda kuko ngo niyamwisunga, azomufata ukuboko, amushikana aho atokwishikana: ngo azomubera akarorero mu buhanuzi; ngo mu gutunganya ubutumwa Umwepiskopi n'umukuru w'umuryango bazomuha, ngo arashobora kuzohura n'ivyo atumva, canke yumve ivyo atari azi ko bibaho, ngo ntibizomutere ubwoba, ahubwo azibuke ko na Bikira-Mariya vyamushikiye, agasiguza umumalayika Gabriyeli agira ati: «Ivyo bizoshoboka bite? Bikarangira birangutse». Ati: «Nawe, ufashijwe n'Imana yagutoye, uzohora ubona inyishu y'ibibazo yibaza n'ivyo abakristu bamubaza!» Akaba yaramwipfurije kuba umusaserdoti adahuruduka.

## Patiri Emmanuel Ndorimana ni nde ?



Patiri Emmanuel Ndorimana ni mwene André Bacamurwanko na Immaculée Ndimurukubo, avuka muri Paruwase ya Kiremba, muri Diyoseze ya Ngozi. Uwo musaserdoti mushasha, mw'ijambo yashikirije, ntiyahengeshanije gushimira umuryango wasigaranye ubutumwa bwo kumurera mu gishingo c'abavyeyi, n'abandi bose bagize uruhara ngo ashike ku ntambwe y'ubusaserdoti.

Mu ntahe yiwe, yavuze umuhamagaro wiwe mu kumuzamwo, yari mu misa, akumva inyigisho y'umusaserdoti wo muri Paruwase y'iwabo, agaca yiha intumbero yo gushikira ubweranda. Ngo ni aho rero yumva ko n'ubundi intumbero yiwe atarayishikira.

Ku bwiwe rero ngo mu kwatirwa mu busaserdoti akaba yumva ico yahawe ari impamba izomushoboza gushika kuri iryo hangiro, akaba kandi ngo yabikengurutse cane, yongera aterereza igisabisho.

Umuryango w'Abagendanyi ba Yezu Patiri Emmanuel Ndorimana yatiwemwo mu busaserdoti ni umwe mu miryango ya vuba cane mu miryango y'abamisiyonari y'Ekleziya Katolika.

Washinzwe mu mwaka w'1540, mu gihugu c'Ubutaliyano, ushinzwe na Ignace w'i Loyola mweranda. Ubutumwa bwabo bushingiye ku gu-shingira intahe Imana no kumenyesha Inkuru nziza ya Kristu no kuzanira imishaha urukiza biciye mu bikorwa no mu ngiro.

Mu Burundi no mu Rwanda, barangurira ubutumwa mu bisata vy'indero mu mashure, mu kuremesha abagendana umugera wa SIDA n'abageze mu za bukuru, no mu gufasha impunzi.

Aha mu Burundi, bakaba bafise umubano mu gisagara ca Bujumbura, kw'ishure ryisumbuye ryitiriwe Mutima Mweranda ryo mu Gihosha, be no mu kigo nkomezamutima Emmaüs, ahari ikigo ca kaminuza ya Leta c'i Kiriri. Uwo muryango ukaba ugizwe n'abasaserdoti b'abarundi bagera kuri 26.

**Chanel HARINGANJI**

# Umusuku mushasha mu muryango Katolika w'abanaguwe muri Mutima Mweranda

Ikoraniro kaminuza ku rwego rw'igihugu rigira 3 ry'Umuryango Katolika w'Abanaguwe muri Mutima Mweranda (RCC) ryabaye kuva kuwa 29 Mukakaro gu-shika ku wa 4 Myandagaro mu Kigo ca Foyer de Charité i Bujumbura, ryasozerewe no gutora umusuku mushasha ku rwego rw'igihugu w'uyo muryango nyene.

Nk'uko vy'ama bigenda iyo hageze gutora umusuku mushasha, harabaho intonde z'abategerezwa gutora hisunzwe igitabu c'amatgeko ngenderwako y'Umuryango Katolika w'Abanaguwe muri Mutima Mweranda.

Uno mwaka, amatora yahagarikiwe n'umwibutsamana w'uwo Muryango ku rwego rw'igihigu, Patiri amando Kana, Umunyamabanga nshingwabikorwa n'icegera ciwe mu gisata c'inama y'Abepiskopi Katolika b'i Burundi kijejwe ubutumwa bw'abalayike, ingo n'imiryango hamwe no gukingira ubuzima, ari bo Patiri Savin na Patiri Sadite Kenemwana.

Nka kumwe vyagenda mu gihe c'abatumwa bashaka gusubiriza Yuda yari yikuye mu bandi, uwo musi ubupfindo bwapfindukiye ku mushingantahe Parfait Nzikwikiza arangurira ubutumwa muri Paruwase yitiriwe Umuryango Mweranda yo mu Kinama.

Akoreye mu ngata umupfasoni Frederique Kabwa yari amaze imyaka 6 asukurira uwo muryango.

**Parfait Nzikwikiza ni nde?**

Parfait Nzikwikiza amenyerewe nk'umwizigirwa mu muryango w'abanaguwe muri Mutima Mweranda i Bujumbura.

Kuva ashinze urwiwe mu 2015, yikurikiranije kuba muri Paruwase Kanyosha na Paruwase yitiriwe Umuryango Mweranda mu Kinama.

Muri Paruwase Kinama, yabaye akihashika Imana iba yamugomwe imutorera kuyobora intama zayo zanaguwe muri Mutima Mweranda asubiriye umukenyezi Anne Ndayisenga yari ahejeje ibiringo 2 vy'imyaka 6.

Ikiringo ca mbere c'imyaka 3 akimaze, Parfait Nzikwikiza yatorewe ikiringo ca kabiri kingana nk'ico nyene.

Ico kiringo ntiyashoboye kukimara, kuko hageze ko haba amatora y'umu Berger ku rwego rwa Diyoseze nkuru ya Bujumbura, Paruwase Kinama yatanze izina ryiwe ngo rije guhiganwa n'ayandi maparu-wase muri ayo matora.

Niko Umukama yari yabishatse kuko ico gihe yaciye atorerwa kuba umusu ku rwego rwa Diyoseze.

Kubera ko ayo mabanga atabangikanywa no kuba umusuku ku rwego rwa Paruwase, vyaciye biba ngombwa ko hategurwa ayandi matora muri paruwase Kinama, haca hatorwa Umukenyezi Anne Ndayisenga, aba agarutse gusubirira uwamusubiye.

Parfait Nikwigize yatorewe ayo mabanga ku rwego rw'igihugu mu kiringo c'imyaka 3 gishobora kwisubiriza rimwe nk'uko amategeko y'Umuryango Katolika w'abanaguwe muri Mutima Mweranda abitegekanya.

Parfait Nzikwikiza aje muri ico kibanza mu gihe uwo muryango, hambavu y'ubutumwa ujejwe bwo gukwiza inkuru nziza no gushikiriza urukiza abantu, ufise n'umugambi ukomeye cane wo «kumenyesha inkuru nziza ifaranga mu mugambi Sarepta gato karakura».

Uwo mugambi Sarepta ushingiye cane cane ku kuguranana amafranga mu mirwi mitomito mu maparuwase. Inyuma y'ico gikorwa c'ibanze, hari n'iyindi ntambwe yo gushinga ibanki ntoyi yo kuziganya no kuguranana izohavura nayo ikavyara ibanki nini yisunga amategeko y'igihugu mu bijanye n'itunganywa ry'amabanki.

Mu nkuka ya misa yo kurungika mu butumwa uwo musuku mushasha hamwe n'umurwi uzomufasha ubutumwa, Musenyeri Salvator Nicitetse, Umwungere wa Diyoseze Bururi akaba n'umukuru w'igisata c'ubutumwa bw'abakristu balayike mu Nama nkuru y'Abepiskopi Katolika b'i Burundi yaribukije abatowe n'Umukama uruhara rwabo.

Bimwe muvyo bategerezwa kwitwararika, ni ugushingira intahe ukuri mu bikorwa vyabo vyose kugira ngo ntihagire n'umwe yohavura yiyumvira Imana ukundi canke ngo agire amakenga ku kwemera kwiwe.

Iyo ngendo y'ukuri ni naryo hangiro nyamukuru abari bitavye ihwaniro bihaye muri kino kiringo c'imyaka itatu. Nkuko vyasomwe mu cegeranyo c'ihwaniro, ngo ukuri bazokurondera, baguhanire bongere bakurwanire n'aho bokuzira.

Ivyo bizotuma uwo murwi mushasha ugiye gusukurira Umuryango Katolika w'abanaguwe muri Mutima Mweranda mu Burundi uronka inzira itomoye yishingiro ry'Ubutumwa mu kiringo c'imyaka 3.

Turifurije ubutumwa bwiza abizewe n'Umukama mu murima wiwe no kuroranirwa muri vyose kubw'ininahazwa ry'Umukama.

*Mélance NDAYIKEZE*

# Chapelle Carama -Gahahe -Gatunguru, iri mu rwubako rw'Ingoro y'Imana



Foto: Chanel HARINGANJI

Hari ku w'Imana w'igenekerezo rya 4 Myandagaro 2024, aho muri paruwase Kinama hamwe n'amashure y'itabariro ayigize, hari haramutse hatunganywa igikorwa ca halambe mu nkuka za misa zose zari zitunganijwe kuri uwo musi.

Iyo halambe ikaba yari itunganijwe ku ncuro igira kane mu ntumbero yo gushigikira bimwe biboneka ibikorwa vy'urwubako rw'Ingoro y'Imana, hamwe n'inzu z'abasaserdoti, ziriko zirubakwa kuri iyo chapelle.

Ildephonse Baryanintimba arongoye umurwi ujejwe ibikorwa vy'iterambere kuri iyo chapelle, ari nawo uhurikiyemwo abahinga batari bake banonosoye ibijanye n'inyubako, avuga ko haruhande y'uwo murwi, hashizweho n'iyindi mirwi yitanga cane ishinzwe ico gikorwa ibikunda kandi ivyiyumvamwo.

Ico gikorwa rero kiri ku murindi udasanzwe kuko kiriko gikorwa n'abakozi benshi, ivyo bigatuma ku ndwi ku ndwi uwo murwi ujejwe inyubako wicara hamwe bakirimbura kugira barabire hamwe ko ibikorwa bitegekanijwe gukorwa muri iyo ndwi vyarangutse neza nk'uko bitegerezwa.

Abo bajejwe ivy'inyubako baratahuye ko umutwe umwe utigira inama, baciye bahamagarira abakristu bose kwama baca kwihweza izo nyubakwa kugira baterere ivyiyumviro babicishije mu dusandugu twabigenewe, kandi ivyo vyiyumviro bigaheza bigakorerwako.

Ntibagarukirije ngaho, Ildephonse Baryanintimba avuga kandi ko uko amezi atatu aheze, bahamagara abahinga bose bashaka guterera ivyiyumviro kubijanye n'izo nyubakwa kugira bahanahane ivyiyumviro mu ntumbero yo kubaka inyubakwa zinogeye Imana vyukuri.

Ildephonse Baryanintimba aratera akamo abakristu bose ba paruwase Kinama na cane cane abari muri ako karere ka Carama Gahahe Gatunguru ko na ntaryo batohengeshanya kuguma bitanga no gusabira ivyo bikorwa mu buryo budasanzwe.

Umupfasoni Audacie Nijimbere, ni umwe mu bakristu barongoye imibano ikukira iyo chapelle, aremeza ko imibano ari karahara mu rugandа ntibacure.

Asaba abakristu gokorana ubwira ivyo bikorwa kuko aribo mushinge w'iterambere rya paruwase yabo.

Arongera akavuga ati : "A-bakristu twese, mpereye ku mubano ndongoye, turiyemeje ko tuzokwitanga uko dushoboye kugira Ingoro y'Imana hamwe n'inzu z'abaserdoti bishobore kubakwa, kugira umwanya bihaye ntuze ubabeko impfagusa.

Iyo Ngoro y'Imana ikaba iriko yubakwa mu buryo bwa etaje, ikazoshobora kwicarika abakristu 4000, ivyo bikorwa rero bikaba biriko bikorwa ku murindi udasanzwe kuko hasigaye gusakara no gusikura, mugihe ibikorwa nyezina vyari vyatanguye mukwezi kwa Ruhuhuma 2024, zikaba zimaze gutwara uburyo burenga imiliyoni 650.

Nk'uko biri mu nteguro, bitegekanijwe ko kuri pasika y'umwaka uza wa 2025, aho ni mu gihe ibuye ry'umushinge ryari ryahezagiwe n'umwungere yahoze arongoye diyoseze nkuru ya Bujumbura mu mwaka wa 2017.

Tworangiza tubamenyesha ko muri ico gikorwa ca halambe cari catunganijwe uwo musi, hegeranijwe amafranga y'amarundi arenga imiliyoni 100.

Ivyo biruko mu gihe amafranga yose asabwa kugira ivyo bikorwa birangire ari amafranga y'amarungi angina k'umuliyaridi n'imiliyoni amajana atandatu.

*Chanel HARINGANJI*

# Ibimenyetso-mfatiro nyamukuru n'amerekerezo mu myaka ya 2040 na 2060 *(Ibikurikira)*




**IV. Ukugene bizoshirwa mu ngiro n'uko bizosuzumwa.**

Ishirwa mu ngiro ry'imbonakazoza y'Uburundi nk'igihugu cifashe mu mwaka w'2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060 rizokwisunga ukugene integuro y'urutonde y'ibikorwa kw'isi, ku mugabane wa Afrika no mu karere k'uruhande rumwe, hamwe n'ibitabu vy'integuro y'ibikorwa ku rwego rw'igihugu, mu bisata no mu ntara/mu makomine k'urundi ruhande.

Muyandi majambo, ishirwa mu ngiro ry'imbonakazoza ni ugushira mu ngiro ibishirwa imbere mu mbonakazoza mpuzamakungu mu mwaka wa 2030, imbonakazoza y'Ubumwe bw'Afrika mu mwaka 2063, imbonakazoza ya Afrika y'Ubuseruko mu mwaka wa 2050, umugambi uhinyanyuye ujejwe impinduka mu gihugu (PND uhinyanyuye), imigambi ngenga bisata n'imigambi y'iterambere ry'abenegihugu ku rwego rw'amakomine (PCDC).

Ivyo bitabu vyose ngengabikorwa bitunganijwemwo ukugene ibikorwa n'amafaranga ntegekanyabikorwa akoreshwa buri mwaka (PTBA) ku rwego rw'ubushikiranganji n'ibindi bisata vya Reta, hamwe no ku rwego rw'amakomine mu ntumbero yo kukoresha amafaranga ajanye n'umugambi utegekanijwe.

Mu gushira mu ngiro imbonakazoza y'Uburundi nk'igihugu cifashe mu mwaka w'2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060, Uburundi butanguye urugendo rw'impinduka irama y'inyubako y'ubutunzi bizobonekera mw'itunganywa ry'ikibano n'uko abenegihugu ba-bayeho kandi bikarangukira mu nzira ya poritike n'intwaro zitekanye bituma zino mpinduka zirama.

Ivyo navyo bisigura ko ari ukwihweza neza "ingero n'inkingi zituma haba impinduka" mu ntumbero yo gushika ku mbonakazoza.

Kubera ivyo, uburyo bwo gushira mu ngiro imbonakazoza bizoshingira ku rukurikirane rw'imigambi y'igihugu ijejwe impinduka (imigambi y'i-gihugu ijejwe iterambere)" ishingiye ubwayo ku bikorwa bishirwa imbere y'ibindi biri mu ntumbero zitatu nkuru nkuru:

**-Impinyanyuro**
**– ikabura iyindi**
**– itumbereza iyindi.**

Ni imigambi ifise intumbero yo kuzana impinduka kandi ishobora gukaburira impinduka zifise inkurikizi ziboneka kandi zirama mu gukomeza no guha agaciro ibishoboka vyose mu gisata c'imibano n'ubutunzi m'Uburundi.

Ugushira mu ngiro iyi mbonakazoza bizokorwa biciye mu migambi y'igihugu ijejwe impinduka mu kiringo ca vuba n'izindi ntumbero zo gushira mu ngiro zisanzweho ku rwego rw'igihugu, mu bisata no mu ntara.

Iyi nteguro izoronswa uburyo bwo gukurikirana no gusuzuma ibikorwa ku ngero zose. Kuri iyo mpamvu, ibiro vy'Umukuru w'Igihugu biciye mu biro bijejwe ivyirwa bihanitse n'iterambere (BESD) n'ibiro vy'Umushikiranganji wa mbere bafise uruhara ntangere mu gikorwa co gukurikirana no gusuzuma ivyaranguwe mu ntumbero y'uko Uburundi buba igihugu cifashe mu mwaka w'2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060.

Ibiro vy'Umushikiranganji wa mbere bizoba bifise uruhara rw'ugukurikirana ibikorwa bijanye n'ishirwa mu ngiro ry'imbonakazoza hanyuma i-biro bijejwe ivyirwa bihanitse n'iterambere BESD navyo birangure igikorwa co gusuzuma no kwihweza uko biriko birashirwa mu ngiro hamwe n'ivyaranguwe.

Ihuriro ry'iterambere ku gwego rw'igihugu riratege-kanijwe mugusuzuma buri gihe intambwe zishitsweko n'uko ibikorwa vyose vyisunga imbonakazoza kugira na ntaryo bame bafatira aho iterambere rigeze.

Mu gusozera, imbonakazoza y'Uburundi nk'igihugu cifashe mu mwaka w'2040 n'igihugu giteye imbere mu mwaka w'2060 ni urugendo rurerure rusaba ko abo vyerekeye babishiramwo inguvu.

Iyi mbonakazoza ni urugendo rutoroshe rwerekeza ku mpinduka ku rwego rw'igihugu, ibi navyo bisaba guhindura uko dusanzwe tubona ibintu n'uko tumenyereye gukora ibintu mu bijanye n'intwaro bizoba bishingiye kwishirwa mu ngiro mu gihugu cose, ukubikurikirana buri gihe, gufata ingingo no gushinga amategeko abereye kandi vyihuta no gutunganya neza ivy'igihugu utereza akajisho muri kazoza mu gutegekanya n'ibitarashika.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Ihwaniro ry'urwaruka rigira 15 muri Ekleziya y'i Burundi

Ku musi wa kabiri igenekerezo rya 06 myandagaro 2024, nkuko vyari biri mu ndinganizo y'iryo hwaniro, kabaye akaryo kubari bitavye ihwaniro ko gukirikirana ibiganiro vyashikirijwe n'abungere.

Ikiganiro ca mbere cashikirizwa n'umwengere wa Diyoseze ya Bururi, Salvator Niciteretse, ku civugo ngo: "**Amamuko n'akahise k'urugendo rw'umusalaba w'urwaruka** (Origine et historique du pelerinage de la croix des jeunes)".






### Amamuko y'uwo musalaba w'urwaruka

Mu nyigisho umwungere wa Diyoseze ya Bururi Salvator Niciteretse yashikirije, yaratahuje abari aho amamuko y'umusalaba w'urwaruka. Yagize ati: "Muri 1984 papa Yohani Paulo wa kabiri yari yatumiriye urwaruka guhimbaza umusalaba nk'ikimenyetso kiranga urukundo Imana ifitiye abantu bose.

Mu nyuma rero papa yarashikirije isanamu ya Bikira Mariya ngo ize yame iherekeza uwo musalaba aho uzoja hose. No ngaha iwacu mu Burundi warahashitse muri gitugutu 2006."

Mu bibazo urwaruka rwamubajije yarabatomoreye neza ko uwo musalaba, mugushika mu Burundi, waje uva mugihugu ca Gabon ariko ko utashikiye rimwe n'isanamu y'umuvyeyi wacu Bikira Mariya. We n'abandi basaseredoti bawakiriye, baciye bawujana ku nkengera y'ikiyaga ca Tanganyika, bawujana mu maparuwase ya Nyanza-lac na Rumonge.

Bamaze gushika muri Diyoseze ya Rutana, isanamu ya Bikira Mariya ica iraza. Waragendeye amadiyose yose yo mugihugu cacu.

Diyoseze ya Ngozi ikaba yawakiriye ubwanyuma aho yaciye iwuhereza igihugu c'Urwanda. Abakristu barerekanye igishika bawufitiye.

Uyo musalaba ubu uri I Roma imbere yuko bazowujana mu kindi gihugu kw'isi yose bimirije guhimbarizamwo ihwaniro ry'urwaruka.

Nkako ivy'Imana ntibihera uburyohe; bamaze kuja inama n'ingingo abungere barabonye ko bibereye ko bakore-sha uwundi musalaba w'urwaruka mu Burundi.

Uwo rero ubandanya uzunguruka mu gihugu cose ugira ibitangaza, abantu bagakenguruka ivyiza biwukomokako.

### Akamaro k'uwo musalaba w'urwaruka

Kahise k'umusalaba kerekana ko cari ikimenyetso co guhasha abagirizwa ko ari inkozi z'ikibi, abasuma, abagumutsi... ni co gituma Yezu bamaze kumwagiriza amabi yose bamuciriye urwo kubambwa ku musalaba. Ku bayahudi ni igitsitaza, mu bagreki naho ni ubujuju ariko kubahamagawe mu ba-yahudi no mu bagreki ni ikimenyetso c'urukiza (cor1, 23).

Abavyeyi bacu ba mbere baragararije Imana, Yezu yagamburutse ishaka rya mana se araza kw'isi gushika abambwe kumusalaba ashaka kuducungura wamusalaba uraheza utubera ikimenyetso c'urukiza.

Uwo musalaba rero werekana ko Imana yakunze abantu urukundo rutagira ingero (Yohani 3,16). Uwo musalaba kandi werekana ubugamburutsi bwa Yezu, bwibonekeje ngo natwe duheze tubashe kugamburuka.

Mu kindi kibazo kijanye n'ukumenya akamaro ko kunamira umusalaba, igiti, kandi bibujijwe mu Bwuzure bwa mbere, yabajijwe, Umwungere yaratomoye ko uwo musalaba kera wari umuvumo, none aho ubambiweko umwana w'Imana Yezu Kristu agaheza agakirizako abantu isinzi ico gihe amaso yacu atagarukira kuri ico giti mu gihe tuba turiko turasenga, nyabuna ko twibuka uwabambwe kuri uwo musalaba. Twebwe mu mutwe no mu mutima ntituba turiko tugarukira kuri ico giti twibuka kandi tukunumira Umucunguzi wacu.

Twomenya ko muri Diyoseze ya Ngozi, muri 2007 ari ho watanguriye, barawushikirije kugira ngo bazoze barawuhanana nk'ikimenyetso c'urukundo, ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe. Ubu ukaba wari umaze imisi uri muri Diyoseze ya Rutana.

*Biracaza*

***Patiri Léonidas Ntakarutimana***
***Diyoseze Ruyigi***

# Ugukingira abana bapfunganywe n'abavyeyi babo

Umwana ni uwo wese afise imyaka itarashika icumi n'umunani, kiretse mu gihe hokurikizwa ayandi mategeko amufata nk'uwukuze imbere y'iyo myaka.

Ugukingira abana turiko turavuga kwerekeye abana bapfunganywe n'abavyeyi babo kubera bonka canke bakiri mu mbanyi.

Ni abana bishika bagashirwa mw'ibohero ata caha bakoze.

Ivyo na vyo biterwa n'uko umuvyeyi wiwe yiketsweko icaha canke camwagiriye amwibungenze canke amwonsa.

Abana nk'abo co kimwe n'abandi bana bose barafise uburenganzira kandi butegerezwa kwubahirizwa.

Abo bana barafise uburenganzira bwo kubaho, bwo kuronswa imfungurwa zibereye, ugukingirwa ivyo vyose vyotuma agateka kabo gahungabana, n'ibindi.

Ugukingirwa kw'abo bana ntigutandukana n'ugukingira abakenyezi bibungenze bapfunzwe canke bonsa kandi gutegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu.

**1.Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya ugukingira abana bapfunganywe n'abavyeyi babo.**

Mu mategeko mpuzamakungu, tuja kwisunga ibiri:



* Mu ngingo z'ishirahamwe mpuzamakungu ONU zijanye n'ingene abapfunzwe bafatwa,

* Mu masezerano yerekeye uburenganzira bw'abakenyezi yunganira amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu,

* Mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ukubaho neza kw'abana.

*a) Mu ngingo z'ishirahamwe mpuzamakungu ONU zijanye n'ingene abapfunzwe bafatwa.*

Abakenyezi bibungenze n'abaheruka kwibaruka bapfunzwe barakenera kworoherezwa mu mabohero barimwo.

Bitegekanijwe n'ingingo ya 23 ivuga ko, amabohero yagenewe abakenyezi, ategerezwa kuba yubatse ku buryo abakenyezi bibungenze n'abaheruka kwibaruka boroherezwa.

Ubuyobozi bw'ibohero butegerezwa gukora uko bushoboye kugira uwugeze kwibaruka ajanwe mu bitaro atari ivyo mw'ibohero.

Iyi ngingo ibandanya ivuga, mu gace kayo ka 2, ko mu gihe birekuwe ko abakenyezi bapfunganwa n'abana bonsa, hategerezwa gushirwaho igisata kijejwe kwitaho abo bana kandi kigashirwamwo abantu bafise ubumenyi mu bijanye n'ukwitaho abana bangana gurtyo.

*b) Mu masezerano yerekeye uburenganzira bw'abakenyezi yunganira amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.*

Umukenyezi apfunzwe yibungenze canke yonsa arakeneye kuronswa ibifungurwa canke ubundi buryo bwose bujanye n'ibihe aba barimwo.

Tubisanga mu ngingo ya 24 ivuga, mu gace kayo ka 2, ko abakenyezi bibungenze canke bonsa bapfunzwe, bategerezwa gukingirwa no kuronswa uburyo bujanye n'ibihe baba barimwo kandi bakubahirizwa mu gateka kabo.

*c) Mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ukubaho neza kw'abana.*

Ugukingira abana bapfunganywe n'abavyeyi babo ntibitandukana n'ugukingira umukenyezi yibungenze canke yonsa apfunzwe.

Tubisanga mu ngingo ya 30 ivuga ko ibihugu vyashize umukono kuri aya masezerano bifata ingingo zose zishoboka kugira abakenyezi bibungenze canke bonsa boroherezwe mu gihe bapfunzwe kandi vyiyemeje kuraba ko ata kindi gihano kitari ico gupfungwa cotegekanywa kuri abo bakenyezi mu gihe bagiriwe n'icaha gihanishwa igihano c'umunyororo ; gufata ingingo zijanye no guteza imbere amabohero mu kuyahindura ikibanza co guhinduriramwo ivyiyumviro kuri abo bakenyezi bapfunganywe n'abana ; gutegekanya ikibanza cagenewe gupfungiramwo abakenyezi bibungenze n'abonsa; gukurikirana ko ata mwana yopfunganwa n'umuvyeyi kandi ko ata mukenyezi yibungenze canke yonsa yocirirwa igihano co gupfa mu bihugu bitarakuraho igihano co gupfa.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu arategekanya ingene abana bakingirwa iyo bapfunganywe n'abavyeyi.

N'amategeko y'igihugu c'Uburundi ni uko nyene.

Ibikur. urup. 11

# Ugukingira abana bapfunganywe n'abavyeyi babo

*(Bitangurira ku rup.10)*

**2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya ugukingira abana bapfunganywe n'abavyeyi babo.**

Mu mategeko y'igihugu c'Uburundi, tuja kwisunga:

* Ibiri mw'ibwirizwa n°1/24 ryo ku wa 14 Kigarama 2017 risubiramwo itunganywa ry'amabohero mu Burundi,

* Ibiri mw'ibwirizwa n°1/09 ryo ku wa 11 Rusama 2018 ryerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa ,

*Hamwe n'ibiri mu gitabu c'amategeko mpanavyaha.

*a) Mw'ibwirizwa n°1/24 ryo ku wa 14 Kigarama 2017 risubiramwo itunganywa ry'amabohero mu Burundi.*

Iri bwirizwa rirategekanya ingene abakenyezi bonsa n'abibungenze bapfunzwe bakwiye kworoherezwa.

Bitegekanijwe n'ingingo ya 47 ivuga ko "abakenyezi bibungenze n'abonsa bari mw'ibohero bategerezwa kworoherezwa hisunzwe uwo mugwi barimwo kandi bategerezwa kumenyeshwa uburenganzira bwabo n'ubw'abana babo hamwe n'ivyo bategerezwa gukora nk'abavyeyi".

Ibohero riraterekanya igisata kijejwe imibano citaho abana bapfunganywe n'abavyeyi imbere yuko bacuka ngo barungikwe mu miryango yabo.

Tubisanga mu ngingo ya 48 ivuga ko abakenyezi bapfunzwe bonsa bagumya abo bana gushika bakwije imyaka 3.

Imbere y'uko aba bana batangwa mu miryango, igisata kijejwe imibano mw'ibohero ni co gitegekanya ingene abo bana bitabwaho mu bijanye n'ukuvuzwa hamwe n'ugufungurirwa imbere yogushikirizwa imiryango yabo kandi ivyo vyose bigategerezwa gukorwa ku neza y'umwana.

*b) Mw'ibwirizwa n°1/09 ryo ku wa 11 rusama 2018 ryerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.*

Umukenyezi yibungenze imbanyi irenza amezi atandatu canke yonsa umwana atarashikana amezi atandatu ntashobora gupfungwa ic'amaso kiretse iyo yakoze icaha gikomeye.

Bitegekanijwe mu gace ka 3 k'ingingo ya 32 ivuga ko umugore afise imbanyi irenza amezi atandatu canke yonsa umwana atarashikana amezi atandatu ntashobora gupfungwa ic'amaso kiretse iyo yakoze ivyaha bikomeye kandi ukwo gupfungwa kurekuwe n'umushikirizamanza mukuru wa Repubulika.



*c) Mu gitabu c'amategeko mpanavyaha.*

Igitabu c'amategeko mpanavyaha na co nyene kirakingira umwana apfunganywe n'umuvyeyi.

Twabonye ko umwana ashobora gupfunganwa n'umuvyeyi akiri mu mbanyi canke amaze kuvuka igihe yonka.

Iki gitabu kirategekanya ibihano kuri uwo wese yatse ubuzima umwana akiri mu nda y'umuvyeyi; uwo muvyeyi ashobora rero kuba apfunzwe canke yidegemvya.

Bitegekanijwe mu ngingo ya 533 ivuga ko umukenyezi canke umwigeme akoroye inda n'impaka ahanishwa umunyororo uva ku mwaka umwe gushika ku myaka ibiri n'ihadabu riva ku bihumbi mirongo ibiri gushika ku bihumbi mirongo itanu vy'amafaranga y'amarundi.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko amategeko mpuzamakungu canke ay'igihugu akingira abana bapfunganywe n'abavyeyi babo atangura gukingira abo bavyeyi nyene bagiriwe n'ivyaha nko gutegekanya ko abakenyezi bibungenze n'abonsa bocirirwa ikindi gihano atari ugupfungwa canke ngo bacirirwe igihano co gupfa.

Twabonye kandi ko mu mabohero yategekanirijwe gupfungiramwo abakenyezi hari igisata kijejwe imibano gitegekanya ingene abana bapfunganywe n'abavyeyi babo bitabwaho mu bijanye n'ukuvuzwa hamwe n'ugufungurirwa imbere yogushikirizwa imiryango yabo kandi ivyo vyose bitegerezwa gukorwa ku neza y'abana.



*Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Ikinyamakuru NDONGOZI mu Bushinwa! *(Ibikurikira)*




*Iyo ni ishusho yerekana imodokari iriko irakorwa hamwe n'intambuko z'ibanze z'ikorwa ry'imodokari. Aho ni mu ruganda rw'imodoka LEAPMOTOR*

Inyuma yo kubacira ku mayange inkuru z'urugendo-shure mu nimero ya Ndongozi 821 twaheruka kubarungikira, ubu naho tugomba tubayagire ido n'ido uko twasanze igihugu c'Ubushinwa, ibibanza bikuru bikuru vy'iratiro, amahinguriro makuru makuru twagendeye, iterambere mu nyubako n'ibindi. Reka mvuge ko Ikinyamakuru Ndongozi kitayaga amasigaracicaro.

**Inyubako ni ikimenyesto kiboneka mw'iterambere ry'igihugu**

Nk'uko bisanzwe bizwi, kw'isi nzima, iterambere ribonekera mu nyubako rusangi eka no mu buryo abantu babayeho muri rusangi. Ufashe indege ugana igihugu c'Ubushinwa, ushikira ku kibuga mpuzamakungu c'i Beijing i Pekin, ku murwa mukuru wa politike w'Ubushinwa.

Uburyo ico kibuga ccubatswemwo ni igitangaza. Kigize kuba kinini cane (gifise ubwinjiriro 3 aho ingenzi zishikira zikongera zigategerera indege), kikagira ubukomezi mu nyubako, kikagira isuku.



*Ikibuka c'indege c'i Beijng agace k'ubwinjiriro bwa gatatu (Terminal 3)*

Naho ari mu kibuga kimwe, uva ku bwinjiriro bwa mbere (T1) uja ku bwinjiriro bwa kabiri (T2), hagendwa n'imodoka kandi iragenda umwanya utari muto. No ku bwinjiriro bwa gatatu (T3) ni uko nyene.

Abakozi bo mu kibuga c'indege ca Beijing ni benshi cane. Barangwa n'ubukerebutsi, umwe wese acunganna n'igikorwa ajejwe, ntawusamara.

Usohotse ikibugu, utangura kwakirwa n'amabarabara agerekeranye, imodoka zimwe zimwe zose zikagenda zitumbera iyo zija. Emwe, uwuhashitse ubwa mbere, ntiyoshobora kunyonga ingendeshwa zaho!

Amabarabara yaho arakubuye neza, eka aritwararitswe. Amatara ku mpande z'ibarabara, ivyuma vyo kwibarabara vyibutsa abagendesha imiduga guhagara, kugabanya umuvuduko canke gukata iyo bikenewe, ivyuma bifata amashusho y'ingendeshwa zaciye mw'ibarabara ku munota ku munota, ivyo n'ibindi tutiriwe turadondagura n'ivyo biranga amabarabara yo mu Bushinwa.

**Ingendeshwa ni izo bihingurira muri Leapmotor**

Mu bibanza bikuru bikuru vy'iratiro, ntawokwibagira kuvuga ihinguriro Leapmotor riri mu gisagara ca Hangzhou mu ntara ya Zhejiang rihingura imodokari zigendeshwa n'umuyagankuba hamwe n'imodokari zicanze (zinwa igitoro zikongera zikaba zishobora no kugendeshwa n'umuyagankuba). Iryo hinguriro ridandariza ingendeshwa mu bihugu vyose harimwo n'ibihugu vy'i Burayi. Gushika mu mpera z'uyu mwaka wa 2024, iryo hinguriro ritegekanya kuzoba rifise ivyicaro vy'ubudandaji 200 (200 points de vente) bikwiragiye mu mihingo itandukanye y'isi.



*Iyo ni imodoka y'ubwoko C01, imwe mu zari zihejeje gukorwa muri Leapmotor*

Hagati mu kwezi kwa Mukakaro, Leapmotor yari imaze gukwiza imodoka 400 000 imaze gukora zikoresha umuyagankuba kuva itanguye ibikorwa vyayo mu mwaka w'2015. Igihugu c'Ubushinwa n'ico gushika ubu gikoresha imodoka nyinshi kw'isi zikoresha umuyagankuba.

**Biracaza**

**Mélance NDAYIKEZE**